# التاريخ

# TAREEKH

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

# تاريخ الخلفاء الراشدين:

# AKAHISE K'ABASUBIRIZI B'INTUMWA Y'IMANA MUHAMADI (S.A.W.):

## ABOU BAKRI ASWIDIQ : أبو بكر الصديق رضي الله عنه

UMWIDONDORO WA ABOU BAKRI ASWIDIQ NAHO YAVUKIYE:

Abou Bakri Aswidiq yavutse inyuma y'umwaka wataziriwe uw'inzovu, ku myaka ibiri n'amezi atandatu.

Izina ryiwe: Ni Abou Bakri Abdallah Bin Abii Quhafa.

Izina rya nyina: Ni Umul Khairi Salma Bin`tu Swakhri, bose babiri bari mu bwoko bwa Tamimi, bukaba ari ubwoko bw'Abaquraishi.

Abou Bakri Aswidiq yarazwi hagati y'umuryango wiwe ko yari umuntu w'urupfasoni n'imico myiza no mugihe atari bwinjire Ubwislamu.

UKWINJIRA KWIWE UBWISLAMU: إسلامه

Abou Bakri niwe muntu wa mbere yinjiye Ubwislamu atagukekeranya akibwirwa ubutumwa. N'abandi bantu benshi baciye binjira Ubwislamu biciye kuri Abou Bakri; Nka Twalha mwene Abdallah, na Zubairi hamwe n'abandi benshi….!

Amatungo yiwe yayakoresheje mu nzira y'Imana, nko kubohoza imbohe z'Abaislamu, nka Bilali mwene Rabah, yongera akoresha amatungo yiwe mu gufasha ba ntahonikora, no muguharanira inzira y'Imana ahitwa i Tabouk.

Abou Bakri Aswidiq ( Imana Imwishimire ) yarangwa n'ubukerebutsi be no kurinda, kuko ata numwe yatinya mu kuvuga ukuri.

Niwe kandi yaherekeje Intumwa y'Imana Muhamadi ( Imana Iyihe amahoro n'imigisha ) igihe yimuka iva I Makka ija I Madina, aho Imana Imuvuga muri Suratu Tawba; 40, umurongo wa mirongo ine: قال الله تعالى

" إلا تنصره فقد نصره الله إذ أخرجه الذين كفروا ثاني اثنين إذ هما في الغار إذ يقول لصاحبه لا تحزن إن الله معنى ...."

Insiguro: " Nimutamutabara (uyo Muhamadi), mu vy'ukuri Imana Yaramutabaye aho abahakanyi bamusohora (mu gisagara c'I Makka) aho bari babiri ( na Abou Bakri) mw'isenga ry'ibuye, igihe umwe abwiye mugenzi we ati: 'Ntugire ubwoba kuko Imana Irikumwe natwe' ". TAWBA; 40.

UGUTWARA KWA ABOU BAKRI (Imana **خلاف أبى بكر الصديق رضى الله عنه:** Imwishimire)

Abasangirangendo b'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), bamaze kumenya ko Intumwa y'Imana yitavye Imana, baciye bakoranira mu murima wa Bene Saa idat bavugana hagati yabo ingene botora indongozi isubirira Intumwa y'Imana mu kurongora Ubwislam, baca bahitamwo Abou Bakri Aswidiq ( Imana Imwishimire ).

**IJAMBO RYIWE (Imana Imwishimire) خطبته رضى الله عنه:**

Emwe bantu! Mu vy'ukuri muntoye kugira ndabarongore, ntibisigura yuko ndi umwiza kubasumba, ahubwo nimwabona nkoze neza murantera intege, nkoze nabi nabwo mungorore. Ukuri kurabazwa, ukubesha nako ni uguhemuka.

Nyarucari muri mwebwe, niwe nyene inguvu kuri iyi ntwaro yanje gushika yaho nzomusubiza ivyiwe in shaa Allah.

Nyene inguvu muri mwebwe, niwe nyarucari kuri iyi ntwaro yanje, kuko nzomwaka ivyo ategerezwa gutanga.

Ari hamwe mwoheba guharanira inzira y'Imana, mwoba abantu bagayitse. Kandi nimwagwiza ibicumuro, Imana Allah Izobakwiragizamwo ibiza.

Nimunyumvire kuri birya numviye Imana n'Intumwa yayoka. Kandi nkagenda kubiri n'inyigisho z'Imana n'Intumwa yayo, namwe ntimuze munyumvire.

## IBIKORWA VYIWE (Imana Imwishimire) :أعماله رضي الله عنه

1- KURWANYA ABAVUYE MUBWISLAMU (MURTADDIINA), HAMWE N'ABANSE GUTANGA ISHIKANWA (ZAKAAT):

Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) imaze kwitaba Imana, bamwe mu Baislamu bashasha ukwemera kwabo kutari bwatsimbatare mu mitima yabo, baravuye mu Bwislamu, kuko bari bazi yuko Ubwislamu bwabo ari ukubaho kw'Intumwa y'Imana. Mu gihe yitavye Imana babona ko atawundi muntu bashobora kumvira.

Abandi nabo banka gutanga Ishikanwa, bazi ko ritangwa ku Ntumwa y'Imana gusa. Niho rero Abou Bakri yaca avuga ati:

والله! لو منعوني ...إلا كانوا يؤدون إلى رسول الله لحاربتهم أو أهلك دونه.

Insiguro: ''Ndarahiye kw'Izina ry'Imana! Mugihe bonyima Ishikanwa bahora batanga ku Ntumwa y'Imana, nzobarwanya kugeza yaho bayitanga.

Niho Abou Bakri (Imana Imwishimire) yaca atangura kurwanya abavuye mu Bwislamu n'abanse gutanga Ishikanwa, nta mwaka wahaciye Ubwislamu butarasubira ku murongo. Bwamwe mubari bavuye mu Bwislamu, barabugarukamwo, kandi n'abari banse gutanga Ishikanwa barasubira kuyitanga.

2- UKWEGERANIRIZA IKOROANI MU GITABU KIMWE ( MUSEHAF) :جمع القرآن

Igihe c'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), Ikoroani yari yanditse ku nsato no ku mababi y'ibiti vy'itende, iri no mu bikiriza vy'Abasangirangendo. Ariko igikorwa co kurwanya abavuye mw'Idini (Murtade), carahitanye abatari bake mu bafashe Ikoroani ku mutwe.

Niho Omar mwene Khatwab yahanuza Abou Bakri ko bokwegeraniriza Ikoroani mu Gitabu kimwe , mu gutinya yuko izohaba itakara. Abou Bakri yaciye ategeka Zaidi mwene Thabit ahagarikire ico gikorwa arikumwe n'abandi banditsi b'ivyahishuwe (Wahyu).

Zaidi mwene Thabit avuga ati: ‘’ Naragerageje gukurikirana Ikoroani yari ku nsato no ku mababi y’ibiti vy’itende n’iyo bafashwe ku mutwe n’Abasangirangendo gushika yaho ndonka Aayat zibiri z’Ikoroani, umwe muri zo, uri muri Suratu Tawba; 128, zari zarafashwe ku mutwe na Khuzaima mwene Thabiti ata wundi muntu numwe nayisanganye ‘’.

قال الله تعالى: " لقد جائكم رسول من أنفسكم، عزيز عليه ما عنتم، حريص عليكم، بالمؤمنين رؤوف رحيم ".

Kandi Imana Allah Irerekana ko Igitabu cayo Ikoroani Nyeranda Izokibungabunga ataho kizoja, Ivuga Iti:

قال الله تعالى: " إنا نحن نزلنا الذكرى، وإنا له لحافظون "

Insiguro: “ Mu vy’ukuri Twebwe Twaramanuye urwibutso (Ikoroani), kandi mu vy’ukuri Twebwe Turarubungabunga ‘’. HIJRI; 9.

## فتوحات أبي بكر الصديق رضي الله عنه:

UGUTEZA IMBERE UBWISLAMU KWA ABOU BAKRI MU KUBUSHIKANA MU BIHUGU BITANDUKANYE:

Intumbero ya Abou Bakri, kwari ukwagura Ubwislamu no guhamagarira ayandi mahanga yinjire mu Bwislamu.

Kwereka abansi b’Ubwislamu n’Abaislamu ko iyo ngendo idashika.

Niwe kandi yashize Ubwislamu mu gihugu ca Irak abicishije kwa Khalid mwene Alwalid.

## فضائل أبى بكر الصديق رضى الله عنه: **IVYIZA VYA ABOU BAKRI (Imana Imwishimire**)

1- Ukwemera Imana Imwe Rudende n’Intumwa yayo Muhamadi ata gukekeranya.
2- Ugutanga atiziganya amatungo yiwe mu nzira y’Imana.
3- Ukwicisha bugufi.

Iyi nyigisho itubwira yuko Abou Bakri Aswidiq muri kamere kiwe atari bwabe n’indongozi ko yahora afasha abakenyezi mu kubakamira ibitungwa vyabo buri gatondo. Kandi amaze no kuba indongozi y’Abaislamu, nya bakenyezi bavuga bati: “ Ubu ntazosubira kudukamira ibitungwa ‘’.

Ariko Abou Bakri avyumvise yaciye avuga ati: “ Ndarahiye kw’Izina ry’Imana ko ntazoreka ico nahora nkora, nkasaba Imana Allah ntize impindure ngo ndeke ivyiza nahora namenyereye gukora ”.

## **UKUDAHURUMBIRA KWIWE IVY’ISI :زهده**

Iyi nyigisho yavuze kwa Aisha (Imana Imwishimire) ivuga Iti: ‘’ Abou Bakri yitavye Imana ata Dinari canke Idriham (Amahera) asize mu nzu yiwe, kuko amatungo yiwe yose yara yamaze kuyaterera mu bubiko bw’Abaislamu (Baitul Mali) ‘’.

## **5- UGUHIGANWA MUGUKORA IVYIZA :سابق بالخيرات**

ورد عن أبي هريرة رضي الله عنه، أن النبي ﷺ قال: " من أصبح منكم اليوم صائما "؟ قال أبو بكر: < أنا >. فقال: " فمن تبع منكم اليوم جنازة "؟ قال أبو بكر: <أنا>. قال: " فمن أطعم اليوم منكم مسكينا "؟ قال أبو بكر: <أنا>. قال: " فمن عاد منكم اليوم مريضا "؟. قال أبو بكر: <أنا>....

Iyi nyigisho yavuye kwa Abou Huraira (Imana Imwishimire), mu vy’ukuri Intumwa y’Imana (Imana Imuhe amahoro n’imigisha) yabajije Abasangirangendo bayo Iti: “ Ninde muri mwebwe yavyutse yisonzesheje ‘’. Abou Bakri Aswidiq yishura ati: [ Jewe ]. Yongera irabaza Iti: ‘’ Ninde muri mwebwe uno musi yaherekeje guhamba ‘’?. Abou Bakri Aswidiq avuga ati: [ Jewe ]. Irabaza kandi Iti: ‘’ Ninde muri mwebe uno musi yafunguriye aboro ‘’?. Abou Bakri nawe ati: [ Jewe ]. Intumwa y’Imana yongera irabaza Iti: ‘’ Ninde muri mwebwe uno musi yagiye gusuhuza abarwayi ‘’? Abou Bakri ati: [ Jewe ]. Niho rero Intumwa y’Imana (Imana Iyihe amahoro n’imigisha ) yavuga Iti: ‘’ Ivyo vyiza vyose ntivyokoranira ku muntu ngo areke kwinjira mu Bwami bw’ijuru ‘’.

## **6- KUREKA ICO IMANA YAMUREKURIYE MU GUTINYA KUGWA MU CAHA :الورع**

Abou Bakri Aswidiq (Imana Imwishimire) yarafise umukozi yamukorera ku musi, maze umusi umwe aza azanye imfungugwa aziha Abou Bakri, uwo mukozi abwira Abou Bakri ko ari agahembo akuye ku mupfumu, Abou Bakri aca ariyinjiza intoke mu muhogo kugira ngo adahwe ivyo yariye, maze biranka kuvayo, baca bamubwira akoreshe amazi. Yarakoresheje nya mazi arasubira aridahwisha bibona kuvayo, aca avuga ati: ‘’ Iyo bitavayo nariguca ndabirandurana n’umutima, kuko numvise Intumwa y’Imana (Imana Iyihe amahoro n’imigisha) ivuga Iti: ‘’ Umubiri wubatswe n’ibizira (Haraam) ni ugutabwa mu muriro ‘’, nanje nkaba natinye yuko umubiri wanje wokubakwa n’ikintu na kimwe ca Haraam ‘’.

## UGUPFA KWA ABOU BAKRI (IMANA IMWISHIMIRE) :وفاة أبى بكر الصديق رضى الله عنه

Abou Bakri Aswidiq yitavye Imana inyuma yokurwara, aca asiga araze Umari mwene AlKhattwab ko yomusubirira mu kurongora Abaislamu.

Yitavye Imana amaze imyaka ibiri n'amezi atatu ari kubutegetsi.

## UMARU BUNUL KHATTWAAB :عمر ابن الخطاب رضى الله عنه

Izina ryiwe ni: Omar mwene Khatwab mwene Nufaili wo mu bwoko bwa Adi, akaba yaravutse inyuma y'umwaka witiriwe uw'Inzovu ku myaka cumi n'itatu.

## UBUZIMA BWIWE ATARABA UMWISLAM :سيرته قبل الإسلام

Omar mwene Khatwab yari umutegetsi mu bategetsi b'Abarabu bo muri ico hihe, akaba yari n'umuserukizi wabo mu bindi bihugu, kandi yarafise imico imico mibi kuko yahamvye umwana wiwe w'umukobwa akanura, akaba kandi yari umwe mu barwanya ubutumwa bw'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n'imigisha).

## UKO YINJIYE UBWISLAM :إسلامه

Omar mwene Khatwab yinjiye Ubwislamu ku mwaka wa gatandatu (6) inyuma yo guhishurirwa Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n'imigisha). Amaze kwinjira Ubwislamu, urwanko rwiwe k'Ubwislamu rwahindukiriye kuburwanira mbere buca buronka inguvu zidasanzwe, ninaho yaco atazirwa Farouq bisigura gutandukanya ikibi n'iciza.

## IMICO YIWE N'IVYAMURANGA :أخلاقه وصفاته

1- Omar yari umuntu akunda ukuri akaba n'umwizigirwa.
2- Omar yari umuntu yicisha bugufi akaba yari n'umumenyi mu gusigura Ikoroani.
3- Omar yari umuntu arinda kuko atawe yatinya mukuvuga ukuri.
4- Omar yari umuntu atunganiriza bose akongera akagirira impuhwe abanyagihugu bose.
5- Omar yar'afise umutima wo gufasha abantu mu matungo yiwe no mu nzira y'Imana, aho yaguriye abantu imbizi y'amazi kandi yongera afasha n'abajeje amahoro n'umutekano muri Islamu.

## UBURYO YASHITSE KU BUTEGETSI :تولية الخلافة

Abou Bakri Aswidiq (Imana Imwishimire) amaze kubona ko agomba kwitaba Imana, yarahanuje Abasangirangendo bakuru bakuru, nka: Ali mwene Abi Twalib, Athumani mwene Afan, na Abdurahmani mwe Awfi. Yabahanuza ko Omar mwene Khatwab ariwe yomusubirira mu kurongora Abaislamu, maze abo Basangirangendo baciye bashigikira ico ciyumviro, Omar mwene Khatwab aba ashitse ku butegetsi uko nyene, biciye mu mwumvikano w'Abasangirangendo bakuru.

## IBIKORWA VYA OMAR MU KIRINGO CIWE :أعمال عمر ابن الخطاب في عهده

UGUTEZA IMBERE KWIWE UBWISLAMU MU BINDI BIHUGU :فتوحاته

Omar yarashikanye Ubwislamu no muri Damasko Siriya n'ahitwa I Baswra muri Irake, yongera ashika na Tiripoli muri Libiya, ntiyagarukiye aho gusa, kuko yaraguye ibihugu ashika no mu Misri (Egiputa) na Yordaniya.

## IMIGAMBI Y'UBURONGOZI BWIWE :نظام الإداري في عهده

1) Omar niwe wa mbere yatanguje umugambi w'amakori.
2) Omar niwe wa mbere yatanguje umugambi imisoro ku bidandazwa biva hanze kugira bifashe abanyagihugu.

## 3- UGUTANGUZA IBIRO VY'UBUSHIKIRANGANJI :إنشاء الدواوين

1) Omar niwe yatanguje ibiro bikuru vy'ubushikiranganji bwo kwegeranya ishikanwa n'ubutunzi bw'igihugu.
2) Omar niwe yatanguje ibiro bikuru vy'ubushikiranganji bwo kwivuna abansi.

## 4- GUSHIRAKO IKIRANGAMISI CA KISLAMU (HIJRIYA) :وضع التاريخ الهجري

Aho hambere Abarabu bahora baharura ikirangamisi cabo bivanye n'ikintu kibaye muri uyo mwaka, nk'ivyabaye mu mwaka witiriwe uw'inzovu.

Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) atanguye guhishurirwa, abantu baciye batangura guharura ikiranga misi cabo bafatiye kuri iryo hishurirwa.

Ivyo vyarabandanije gushika ku ntwaro ya Omar Farouq mwene Khatwab (Imana Imwishimire) aca ashiraho ikirangamisi ca yise Hijriya, kugira abantu batangure guharura imyaka bafatiye kw'iyimuka ry'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n'imigisha). Kubera uko kwimuka rero kwahinduye ibintu bihambaye mu buzima bwo gushikiriza ubutumwa no gutsimbatara.

Ico kiranga misi, catanguye ku mwaka wa cumi na gatandatu kuva Intumwa y'Imana yimutse.

## 5- GUTANGUZA IBISAGARA: إنشاء المدن

Igihugu kimaze gutsimbatara, Omar (Imana Imwishimire) yaciye ategeka kubaka ibisagara bimwe bimwe nka Basra na Kufa muri Irak.

## URUPFU RWA OMAR MWENE KHATWAB: وفاة عمر ابن الخطاب رضى الله عنه

Omar Farouq mwene Khatwab (Imana Imwishimire), yapfuye acumiswe inkota y'ubumara n'umugabo yitwa: Abou Luului Almajous.

Ubwo bwicanyi bwari bwateguwe n'abansi b'Ubwislamu (Abayahudi n'Abafurusi.

Omar Farouq mwene Khatwab, yapfuye atwaye imyaka cumi (Imana Imwishimire).

## UTHMANU BIN AFFAAN (IMANA IMWISHIMIRE): *عثمان ابن عفان رضى الله عنه

## IZINA RYIWE N'AHO YAVUKIYE: اسمه و مولده

Izina ryiwe: Ni Asumani mwene Afan.

Yavutse: Inyuma y'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) ku myaka itanu.

Asumani mwene Afan yari umutunzi mu batunzi bico gihe.

## UKWINJIRA KWIWE UBWISLAMU :إسلامه

Asuman yinjiye Ubwislamu bivuye kunguvu za Abou Bakri (Imana Ibishimire bompi babiri), amaze kumuha ubutumwa, inyuma yo kwinjira Ubwislamu baciye bamushingira umukobwa w'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), yitwa: Rukiya, kuko muri ico gihe Asuman yari yamaze kubura umugore wiwe wa mbere.

Asumani yari umuntu w'intwari, yaritwararika Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha) mu gukora ibikorwa vy'ivugabutumwa (Daawa), kandi yari n'umuserukizi w'Intumwa y'Imana imbere y'abategetsi b'Abaquraishi.

## INGENE YASHITSE KU BUTEGETSI :تولية الخلافة

Aho Omar mwene Khatwab amaze gucumitwa inkota, yaciye abwira Abaislamu batore uwumusubirira mu bantu cumi bemerewe Ubwami bw'ijuru, hagati ya Asumani mwene Afani, na Ali mwene Abou Twalib, na Twalha, na Zubairi na Sadi hamwe na Abdurahman.

Nibwo rero Abasangirangendo bakora akanama (Shura), batora Asumani mwene Afan (Imana Ibishimire bose).

## IBIKORWA VYA ASUMAN MWENE AFAN (IMANA IMWISHIMIRE) :أعمال عثمان ابن عفان

### 1- UGUTEZA IMBERE UBWISLAMU ABUSHIKANA KURE:الفتوحات

Asumani (Imana Imwishimire), yarakoze igikorwa gikomeye cane co kwagura Ubwislamu, kugera naho abushikana muri Turkiya no muri Twajekistani.

### 2- GUSHIRAKO ABARINDA IMBIBE ZO MU MAZI :إنشاء أسطول الحربي

Ku ntwaro ya Abou Bakri na Omar, abislamu ntibitayeho ivy'umutekano wo mu mazi, ariko Asumani mwene Afani we yaciye atanguza igikorwa co gucungera umutekano wico cose cozanana mu mazi, gushika yaho abashira no mu kiyaga kigabura umugabane wa Afrika na Buraya.

### 3- GUHURIZA ABANTU KU GISOMWA KIMWE CA KOROANI :كتابه المصاحف

Ubwislamu bumaze kwinjira mu bihugu bitari bike, bwarinjiyemwo abantu b'amoko atandukanye, Umusangirangendo yitwa: Hudhaifa mwene Yaman yagiye mu gihugu ca Adhibijani aca abona ukudahuza kw'Abaislamu mu gusoma Ikoroani. Amaze gushika I Madina

aca abwira indongozi Asumani mwene Afani (Imana Imwishimire) yuko hakwiye kwandikwa Ikoroani, ibitabu bimwe bimwe birungikwe mu bindi bihugu bitandukanye kugira abantu bahurire ku gisomwa kimwe ca Koroani.

Akarorero: Abaislamu b'i Basra ntibahuza n'Abaislamu b'i Kufa. Abaislamu b'i Basra babwira ab'i Kufa bati: '' Ni twebwe dusoma neza ''. Abandi nabo bakavuga ko aribo basoma neza. Niho rero Asumani mwene Afani (Imana Imwishimire) yaca abahuza ku gisomwa kimwe c'Ikoroani mu rurimi rw'Abaqurais hi mu kubarungikira amakopi y'Ikoroani Nyeranda.

4- <u>GUHEMBA ABAKURU B'INTARA N'ABAIMAMU HAMWE N'ABAHAMAGAZI:</u>

<u>IGANDAGUGWA RYA ASUMAN MENE AFAN :مقتل عثمان ابن عفان رضي الله عنه</u>

Mu mpera y'Intwaro ya Asumani hinjiye mu Bwislamu Umuyahudi yitwa: Abdallah Ibnu Sabai.

Uyo Abdallah mwene Sabai yavuye muri Yemen afise intumbero yogucanishamwo Abaislamu, kuko yatanguye kwinjiza ivyiyumviro bibi mu muryango w'Abaislamu.

Yarategetse abantu kugarariza no kutumvira ubutegetsi bwa Asumani mwene Afani, mu kubereka yuko Asumani yonona amatungo y'igihugu akongera agaha akazi abo mu miryango yiwe gusa. Akabwira abantu yuko Ali mwene Abi Twalib ariwe akwiye gutwara imbere ya Asumani mwene Afan.

Ivyo vyose bamurementaniriza vyabaye mu bintu vyatumye agandagurwa n'akagwi kamusanze muhira iwe, maze kazunguruka inzu yiwe, kamusanga mu nzu karamwica.

Ako kagwi kari karongowe n'uyu Muyahudi nyene Abdallah mwene Sabai.

## <u>**ALIYYU BUN ABI TWAALIB:علي ابن أبي طالب رضي الله عنه**</u>*

**<u>Izina</u>**: Ni Ali mwene Abou Twalib.

Yavutse imbere yo guhishurirwa kw'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) ku myaka cumi (10).

Ali mwene Abou Twalib: Yakuriye mu rugo rw'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), mu buryo bwokorohereza umutwaro w'abana ba sewabo na Muhamadi ariwe Abou Twalib.

Ali mwene Abou Twalib: Niwe muntu wambere yihebeye yongera yigura Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), igihe yimuka, kuko yaraye kuburiri bwayo kandi bariko barayihiga ngo bayice.

Ali mwene Abou Twalib: Yari uwitanga mu nzira y'Imana bikomeye, kandi akaba yarafise ubumenyi bw'Ikoroani hamwe n'inyigisho z'Intumwa y'Imana (Hadithu).

## INGENE YASHITSE KU BUTEGETSI :تولية الخلافة

Aho Asumani agandaguriwe, Abaislamu baciye bimika Ali mwene Abou Twalib.

Ali mwene Abou Twalib: Agishika ku butegetsi yatanguye gukura bamwe mu bayobizi uruhara mu gucanishamwo Abaislamu.

Bamwe mu batware baramugarariza, harimwo Muawiya mwene Abou Sufiyani yararongoye Ishamu igihe kitari gito kuva ku ntwaro ya Omar mwene Alkhatwab.

Ivyo vyo gukura bamwe mu ndongozi , vyatumye havuka icuka kibi hagati y'Abaislamu bituma haduka indwano.

## INTAMBARA YA MAWQIATUL JAMAL :موقعة الجمل

Umugwi umwe w'Abaislamu wahungiye mu gihugu ca Irak ahitwa Basra ahari hari akagwi kagandaguye Asumani mwene Afani (Imana Imwishimire), bajanwe no kurondera ubutungane kubagandaguye  Asumani mwene Afani.

Uyo mugwi w'Abaislamu wari ugizwe na Zubairi mwene Al'awamu na Twalha na Aisha umukenyezi w'Intumwa y'Imana (Imana Ibishimire bose).

Ali mwene Abou Twalib: Yavuye I Shamu agenda muri Irak, maze bahurira I Basra na wa mugwi baca bumvikana yuko abagandaguye Asumani mwe Afani nabo nyene bategerezwa gusubirizwa mu ndumane, kandi Abaislamu muri iryo joro babihurizako.

Muri iryo joro nyene, ka kagwi k'abicanyi gaca gatangura kugumuka, gatangura ubwicanyi maze iyo migwi ibiri iba ikozanijeko.

Umugwi wa Ali mwene Abou Twalib n'abari bamushigikiye, n'umugwi wa Zubairi na Twalha na Aisha (Imana Ibishimire), ingwano irakomera hagati yabo, gushika yahoo Zubairi na Twalha bicwa, maze Ali mwene Abou Twalib ahakirira uko (Imana Ibishimire bose).

Ali mwene Abou Twalib: Yaciye amara imisi cumi n'itanu (15) i Basra aca asubira i Kufa.

INGWANO YA SWUFFIYNA موقعة الصفين:

Ingwano ya Swuffiin, ni intambara yari hagati y'abantu bo muri Iraq barongowe na Ali mwene Abou Twalib, n'abantu bo muri Sham barongowe na Muawiya bun Abi Sufiyan.

ICATUMYE IYO NTAMBARA YADUKA:

N'uko abantu bo muri Kuffa banse kuja musi y'amategeko ya Ally bun Abi Twalib, ngo kiretse abanje kugira ubutungane kubagandaguye Uthmani bun Afan, abantange nabo nyene bagandagugwe.

Niho Ally bun Abi Twalib yaguma arungika intumwa zitandukanye kugira zigondoze Muawiya bun Abi Sufiyan ahebe, ahubwo yinjire musi y'amategeko ya Ally. Ariko ako kigoro kose kabaye impfagusa, Muawiya bun Abi Sifiyan abandanya kugarariza ubutegetsi bwa Ally bun Abi Twalib.

Niho rero haca haduka ingwano hagati y'abantu bo muri Iraq n'abo muri Sham. Iyo ngwano yamaze imisi itari mike.

Abantu bamaze kuruha n'iyo ntambara baciye baja mu nzira y'ibiganiro.

Abo muri Iraq barungitse Abou Mousa Al-Ash`ariy (Imana Imwishimire).

Abo muri Sham, barungitse Amru bunul `Aaswi.

Niho abo Bashingantahe bumvikana ko:

1) Intambara ikwiye guhagarara ikiringo c'umwaka kugira barabe ineza y'abanyagihugu.
2) N'uko Ally bun Abi Twalib hamwe na Muawiya bun Abi Sufiyan bava ku butegetsi bagakinjura.

Niho abantu batandukana, umwe wese asubira iyo yaje ava. Ally bun Abi Twalib n'ingabo ziwe basubira muri Iraq (Kuffa).

Muawiya bun Abi Sufiyan n'ingabo ziwe nabo basubira muri Sham.

Ally bun Abi Twalib amaze gushika muri Kuffa haciye haduka akagwi k'abantu bahakana ivyavuye mu biganiro, bavuga bati: '' Nta rubanza kiretse urubanza rw'Imana''.

Ako kagwi mu bantu ba Ally bun Abi Twalib, gaca gatangura imigumuko, ibintu bibandanya kuba bibi, haca havuka akagwi kitwa: AL-KHAWAARIJ kiyonkoye k'ubutegetsi bwa Ally bun Abi Twalib.

**AKA KAGWI RERO K'ABAKHAWARIJI, KACIYE KIYUMVIRA GUKORA IKIBI KIBISHE CO KWICA ABANTU BATATU, NABO N'ABA:**

1) Ally bun Abi Twalib.
2) Muawiya bun Abi Sufiyani.
3) Amru bunul Aswi.

Ivyo babiteguye, ngo kugira abantu batore uwundi atari muri abo batatu, bongere baruhuke induru zabo.

Niho rero Ally bun Abi Twalib, yagwa mu mutego w'ako kagwi aragandagurwa.

Uku rero niko umuryango w'Abislamu wiciyemwo imigwi inyuma y'ivyo biganiro vyo guhagarika intambara, haca hatangura kuvuka utugwi twinshi mu muryango w'Abislamu.

UGUTWARA KWA HASSAN :خلافة الحسن ابن علي بن أبي طالب رضي الله عنهما* MWENE ALI MWENE ABOU TWALIB

Hasan mwene Ali mwene Abou Twalib: Yarongoye Ubwislamu inyuma y'igandagurwa rya se wiwe Ali mwene Abou Twalib (Imana Ibishimire) atowe n'Abaislamu bo muri Kufa muri Irak.

Yatwaye ikiringo kingana n'amezi atandatu n'imisi irengako gato.

Hasan yaragiye kwa Muawiya mwene Abou Sufiyane (Imana Imwishimire) uwahoze ari umukeba wa se, amusaba yuko yokwiyonkora ku butegetsi abumurekere.

Yongera amusaba yuko aramutse atwaye yotwarira bose.

Amusaba yuko hatoba ukwihorana kuvyabaye kuri se.

Muawiya mwene Abou Sufiyane aravyemera, abantu baca barahuza banama rimwe, haba hagaragaye igitangaro c'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) kiri muri iyi nyigisho (Hadithi) ivuga iti:

عن أبي بكرة رضي الله عنه قال: < سمعت النبي ﷺ على المنبر والحسين إلى جنبه ينظر إلى الناس مرة وإليه مرة يقول: " إن ابني هذا سيد ولعل الله أن يصلح به بين فئتين من المسلمين ">.   رواه البخاري.

Insiguro: Nk'uko yashikirijwe na Abou Bakrata (Imana Imwishimire), avuga ati: [ Numvise Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) iri kuri Minbar na Hasan ari iruhande yiwe ivuga iraba abantu yongera imuraba ivuga Iti: '' Uyu mwana wanje mubona, ari n'icubahiro, haraho Imana Izohuza imigwi ibiri y'Abaislamu Ibicishije kuri we '']. Yakiriwe na: BUKHARI.

Niho rero yaca yiyonkora ku butegetsi, hari mu mwaka wa mirongo ine (40 H.) Hijriya.

Ariko bamwe mubari bamushigikiye batangura kumutuka, n'agahemo kenshi bamubwira bati: '' Ewe wamburakimazi we wagayishije abamera ''!.

Hasan (Imana Imwishimire) nawe akabishura ati: '' Ukumaramara n'ugutetegwa ni vyiza gusumba umuriro ''.

Uyundi mugabo yaraje abwira Hasan ati: '' Ndakuramukije ewe wa muntu we wagayishije abemera Mana ''!.

Hasan amwishura ati: '' Jewe sinagayishije abemera Mana, ahubwo nashatse ahubwo nanse kubicira ku butegetsi ''.

Niho Hasan (Imana Imwishimire) yaca yimuka ava aho I Kufa muri Irak aja I Madina yiberayo.

## URUPFU RWA HASAN MWENE ALI :وفاة الحسن بن علي بن أبي طالب رضي الله عنهما MWENE ABOU TWALIB (IMANA IBISHIMIRE BOMPI BABIRI)

Hasan mwene Ali: Yapfiriye I Madina yicishije isumu yahawe n'umugore wiwe yitwa Jaadatu mwene Asheathsu mwene Qaisi, yari yavyohejwe na Yazidi mwene Muawiya, amuhenda yuko azoca amugira umugore wiwe.

Aba aragandaguye umugabo wiwe Hasan amuhaye isumu nawe yiteze ko aca yabirwa na Yazid.

Hasan (Imana Imwishimire) amaze gupfa, niho wamugore yasaba Yazid ivyo bumvikanye, nawe amwishura ati: ‘’ Mu vy’ukuri ntivyotugwa neza, kubona wari umugore wa Hasan, none twebwe nitwe wogwa neza imitima yacu ‘’!?.

Hasan mwene Ali (Imana Ibishimire) yapfuye mu mwaka wa mirongo ine n’icenda (49 H.) Hijriya.

MUAWIYA MWENE ABOU SUFIYAN (IMANA IMWISHIMIRE) : معاوية ابن أبي سفيان رضي الله عنه

Muawiya (Imana Imwishimire) inyuma yo kwiyonkora ku butegetsi bwa Hasan (Imana Imwishimire), niwe yaciye atwara igihugu ikiringo c’imyaka mirongo ibiri (20).

Yatanguye gutwara kuva mu mwaka wa mirongo ine na rimwe gushika umwana wa mirongo itandatu ( 41 H. – 60 H. ).

Muawiya ashitse ku mwaka wa mirongo itanu ( 50 H.) yahamagaje ikoraniro ku bantu bo muri Shamu ( Siriya na Yordaniya ), ryari iryo kugena no gutora indongozi izomusubirira, akaba yari umuhungu wiwe Yazid.

Niho baca batora muri iryo koraniro umuhungu wiwe Yazid mwene Muawiya.

Utwaya bun Qaisi avuga ko Muawiya mwene Sufiyane yabwiye abantu ati: ‘’ Mu vy’ukuri jewe ndabaraze umuhungu wanje, ko ariwe azoyobora igihugu mu nyuma zanje, bivanye n’ivyiza namubonyeko ‘’.

Muawiya ( Imana Imwishimire ) amaze kwitaba Imana, abantu bo muri Shamu baciye batora Yazid nk’uko bavyemeje mw’ikoraniro.

Hanyuma baratumye ubutumwa ku bantu b’I Madina, kugira nabo nyene bemeze iyo ntwaro ya Yazid mwene Muawiya, ariko abantu b’I Madina baca baranka.

Iyo ntwaro ya Yazid harimwo na Husen mwene Ali hamwe na Mwene Zubair.

Niho Husen na Mwene Zubair bagenda I Maka bafise intumbero yo gutera igihugu I Kufa muri Irak ahari uburongozi bwa Yazid.

Abantu bamwe bo muri Kufa bahora bahamagarira Husen kugwanya ubutegetsi bwa Muawiya mu gihe c’intwaro yiwe, nawe akabankira.

Yazid amaze gutorwa niho yaca afata ingingo, abwira Mwene Zubair batere igihugu ca Irak.

Niho bagenda I Maka muri bamwe mu Baislamu, nka Ibnu Abbas yamubwiye ati: ‘’ Nturwane kuko ndabona ko uza guhava wicwa, hagati y’abana bawe n’abagore bawe nkuko yagandaguwe Asuman mwene Afan ‘’.

Husen aranka kumva impanuro ahawe na Ibnu Abbas, maze Ibnu Abbas ararira.

Niho Husen yahendwa n’akagwi k’abantu bari Kufa, yuko niyaza kazomufasha urugamba.

Husen aca ava I Maka arikumwe n’ingabo ziwe, agenda muri Irak arikumwe kandi na bamwe mu muryango wiwe n’abagore hamwe n’abana.

Yazid mwene Muawiya amaze kumva yuko Husen n’ingabo ziwe baje kumutera, yaciye yandikira umutware wiwe yitwa: Abdallah mwene Ziyade amutegeka kurwanya Husen n’ingabo ziwe.

Aca yohereza igisoda kingana n’ibihumbi bine (4000) co kurwanya ingabo za Husen.

Niho bahurira I Karbala urugamba rurakomera.

Ka kagwi k’abari muri Irak kitwa ko kemera Husen, gaca karamwihinduka ntikaba kakimufashije urugamba nk’uko ari kamere kabo kurya nyene bihindutse se wiwe Ali mwene Abou Twalib.

Husen amaze kubona ko urugamba rukomeye, na bamwe mu ngabo ziwe bamaze kwicwa, niho yaca amanika amaboko yiwe arishikana avuga ati: ‘’ Nimundeke nanje ngende kwa Yazid ndamuhe ukuboko ‘’.

Baramwankiye baramwica, bashira umutwe wiwe mw’ibase batwara kwa Abdallah mwene Ziyade.

Ivyo rero vyabereye mu gisagara c’Ikarbala muri Irak.

Ari naco kintu Abashia bahora bibuka, bakikubita imbugita n’ibipanga mu kwezi kwa Muharam mu misi ya Ashur, ngo mu ntumbero yo kwibabaza no kwihana kubera bikoze mu nda bica Husen kandi ari umurongozi (umuimam) wabo kandi yari yishikanye.

Aho nyene Ikarbala niho Abashia bakuye imyemerere yo gusengera ku kanombe,  ngo kubera yuko ari ivu ryavuye ku mva ya Husen.

Bakavuga yuko iryo vu ryo ku mva ya Husen (Imana Imwishimire) ari umuti w’indwara zose, ko kandi ari umuti usumba iyindi miti yose.

Kandi aho Ikarbala ku Bashia, ngo n’isi yejejwe isumba n’I Maka kubera iryo vu ryo ku mva ya Husen. Ariko rero sivyo namba, ari naco gituma dusabira abasangirangendo b’Intumwa y’Imana

( Imana Iyihe amahoro n'imigisha) hamwe n'umuryango wiwe ko Imana Yobishimira, kuko naho baguye mu makosa, bayaguyemwo nk'abantu, kandi bimwe n'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yari yarabivuze. Kukaba nkako, kw'Idini ry'Imana Allah ntibigeze bahengama (Imana Allah Ibishimire bose hamwe n'abazobakurikira gushika ku musi w'umuhero, kandi natwe dusaba Allah Adushire muri bo), Aamiin.